Ibibazo n'inyishu kubijanye n'ingene umugera wa Sida watanguye

Ikibazo: Mbega umugera wa Sida wazananyehe?
Inyishu: Hari impari nyinshi kubijanye n'iyo umugera wa Sida wazananye; ariko havugwa vyinshi kucoba carateye uwo mugera. Benshi bibaza ko umugera wa Sida woba wandukiye abantu uvuye ku nguge. Abashigikira iki ciyumvuro bibazako umugera (SIV) batoye mu nguge usa cane n'umugera wa Sida woba ariwo wavuye kunguge ukaja kumuntu. Kubona hari indwara ziva kubikoko zigafata abantu, ntibitangaje cane kuko si ubwambere bishitse; Ingwara ya Ebola be n'ingwara y'akamangu (giripe iterwa n'inyoni) ni uturorero twavuba. Agashusho kanini umugera wo munguge (SIV) ufitaniye n'umugera wa Sida katumye abashakashatsi bibaza ko bifitaniye isano. Ariko ntanumwe ingene vyagenze ngo uwo mugera uve ku nguge wandukire umuntu. Hari abibaza ko hoba hari umuntu yakomerekeje inguge hanyuma agaca yikomerets akoresheje ico yikomerekesheje bigatuma aca yandura uwo mugera.

Ikibazo: Muti ariko twari tumaze kumva ibindi vyinshi vyerekeye aho uwo mugera woba warazananye!
Inyishu: Egome, abantu bavuga vyinshi. Hari igitabu canditswe kikemeza ko umugera wa Sida woba wandukiye abantu biturutse kurucanco rw'indwara y'ubukangwe muri Kongo. Ariko ubushakashatsi bw'iki gihe busa n'ubudashigikiye iki ciyumviro, ariko ntacemezo nakimwe kiraboneka. Hari nabandi bibaza ko yoba ari umgizi wa nabi yahinguye uwo mugera kugira yice abantu, canke abandi bakibaza ko uwo mugera woba watewe n'ibihume tutazi. Nahop abantu bibaza vyinshi, ubushakashatsi ntiburavyerekana. Gushika kuri uyu musi, isoko nyakuri uwo mugera wa sida wavuyemwo ntawurizi.

Ikibazo: None ivyo hari ico bitwaye?
Inysishu: Muvyukuri vyoba vyiza tumenye icawuteye. Ariko, muri iki gihe ico sico kituraje ishinga kuruta; hari izindi ngorane nyinshi zikomeye. Umugera wa sida, nimba wavuye mukirere canke munguge, ico tuzi co nuko wamaze kutwinjirana. Abantu bagera ku miriyoni mirongo ine bagendana uwo mugera, abagera ku miriyoni mirongo ibiri na zitanu nabo nabo umuze kugandagura. Ikintu gihambaye gusumba ibindi, nuko twokingira abasigaye batarandura hanyuma tukavura, tukitaho kandi tugashigikira abo baza barawanduye. Naho ejo twomenya neza aho uwo mugera wazananye, ntaco vyohindura kuko abarwaye bo boguma barwaye kandi n'abandura boguma bandura.

Ikibazo: Mbega none uwo mugera watanguye ryari?
Inyishu: Umegera wasida batanguye kuwubona mu myaka ya 1980 muri Leta zunze ubumwe za Amerika, ariko umugera wa sida wari usannzwe uriho n'imbere y'uwo mwaka bawutora. Bihweje mu maraso bagiye barabika ariho, amaraso yambere basanzemwo umugera wa Sida bayakuye muri Afrika yo hagati mumwaka wa 1959. Eka mbere hari n'utundi turorero bapimye bakawusangamwo mubihugu vya Uganda, Haïti, be na Tanzania mu myaka ya 1970. Ubushakashatsi bwibazako umugera woba watanguye kwandukira umuntu mu myaka ya 1930 canke ya 1940. Mu mwaka wa 1983 abashakashatsi babiri, umwe wo m'Ubufaransa uwundi wo muri Leta z'unze ubumwe za Amerika, bompi niho batora umugera utera indwara ya Sida.